# INYIGISHO ZA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU KU MUSI WO GUFUNGURA ABANYORORO KU MPIMBA

- **Nyakwubahwa Mushikiranganji w'ubutungane**
- **Nyakwubahwa Mukuru wa Sentare Ntahinyuzwa**
- **Nyakwubahwa Mukuru wa sentare ijejwe kubahiriza Ibwirizwa Nshingiro**
- **Nyakwubahwa Cegera c'Umukuru w'Inama Nshingamateka**
- **Banyakwubahwa Bashingamateka n'abakenguzamateka**
- **Banyakwubahwa bashikiranganji mugize Reta y'Uburundi**
- **Nyakwubahwa Mushikirizamanza kizigenza wa Repubulika**
- **Mwanyakwubahwa mwaje muserukira ibihugu vyanyu n'amashirahamwe mpuzamakungu mu Burundi**
- **Nyakwubahwa Cegera c'Umugenduzi mukuru w'urwego rw'umutekano**
- **Mwanyakwubahwa murangurira imirimo itandukanye mu Bushikiranganji, harimwo abacamanza**
- **Mwanyakwubahwa mwaje muva mu nzego z'umutekano**
- **Namwe mwese mukorera mu bisata bitandukanye vy'igihugu**
- **Nyakwubahwa waserukiye igisagara ca Bujumbura**
- **Mwese bubahwa batumire bahire, umwe wese mu cubahiro ciwe,**

**Tugire amahoro**

**Sangwa amahoro, ubumwe, iterambere n'ubutungane mu gihugu cacu.**

1. **Uno musi ni umusi udasanzwe mu gihugu cacu, cane cane kuri aba bavukanyi bari bamaze igihe babohewe ngaha mw'iri bohero rya Mpimba, ndetse no mu yandi mabohero yo mu Burundi bwose. Ntusanzwe kuko ni izuba ryabarasiyeko, ryarasiye ku miryango baje baturukamwo. Aha nobabaza uko muri ngaha, hari n'umwe aticuza ku caha catumye afungwa? Gukora icaha kuri iyi si shetani yiganziye vyamaho, nta muntu adatsitara. Iyo wahejeje kugwa mu caha imisi yose uvuga uti none nk'iki caha nagikoreye iki? Imisi yose uricuza.**

2. **Ni co gituma nk'abemera Imana twokwama twibuka kuja turasaba Imana iturungikire Mutima Mweranda kugira ngo agumane natwe agume aduhanura, agatimampanura kagaruke, kugira ngo tugumane ubuntu. Iyo wamaze kugwa mu caha ni ho ubimenya, utarakirwamwo umengo ni ibisanzwe.**

3. **Mu gihugu, birazwi ko icaha n'umugabo biragendana, nta n'umwe yovuga ngo jewe sinzopfungwa, mugabo rero nagira ndababwire yuko gukora icaha ni umubabaro ku gihugu. Reta iriho kugira ngo ibuze ko haba umuntu ahonyora ku gakanu uwundi. Ni co gituma Reta ari yo**

yonyene ifise uburenganzira bwo guhana, kuko Reta ihana kw'izina ry'abenegihugu. Muze mwumvirize biranditse yuko n'abacamanza baca imanza kw'izina ry'abenegihugu. Nico gituma ari ukumenja ku mucamanza arya igiturire ariko araca imanza. Kurira igiturire uwo yoburaniye, uwo yotunganirije ; Akavuga ngo kugira ngo ngutunganirize ubanza kumpa igiturire. Ni ukumenja. Umucamanza aca urubanza kw'izina ry'abenegihugu. Reta rero, uba umunyavyaha canke ntube umunyavyaha, iguma ari umuvyeyi. Ni co gituma idashobora kunezerezwa na gato no guhana, ntibiyinezereza, ariko itegerezwa guhana.

4. **Kubera iki itegerezwa guhana ?**

- Reta irahana kugira ngo yihanize uwakoze icaha,
- Reta irahana kugira ngo igabishe n'abandi benegihugu kugira ngo bumve y'uko nibakora icaha kitazokwijana uko. Ni ukugabisha rero kugira ngo umuntu amenye kirazira, amenye ikizira, amenye ico atinya.
- Reta hari aho ihana kugira ngo ikinge, ikingire abo icaha kitashitseko kugira ngo ntibasubire kugikorerwa, ndetse gukingira n'uwakoze ikibi.

5. **Kubera iki Reta ikingira uwakoze ikibi mu kumushira mu munyororo ?**
   Ni kubera abakorewe ikibi bashobora kwihora. Iyo Reta idahanye, abakorewe ikibi baca bagira umutima ukomeye wo kwihora. Reta rero ntihana kugirango yihore, ihana kugira ngo abantu bose basubize umutima mu nda ko Reta itaretse icaha ngo cijane. Mu bisanzwe umuntu akoze icaha uno musi Reta ntimuhane,uwuzokora ejo ikindi caha azohanwa ? Umuhanye uba umurenganije. Kubera iki ugira umwana n'ikinono ?

6. Mu gihugu cacu icatunyoshe ni ivyaha vyinshi vyagiye birakorwa Reta ntiyabihana, gushika aho ukora icaha ugasigara uri umugabo. N'ivyaha vy'ubwicanyi vyabaye muri kahise, nta kindi vyavuyeko atari uko abantu bageze aho bakabona y'uko ata ngorane kwica atari icaha, kubera ukudahana. Ndetse n'amacakubiri yateye muri kino gihugu vyatewe no kubera ko hari umuntu avuga ati nishe uwo muri burya bwoko ntawunkorako. Bica bituma umengo kwica bisigaye ari ubuhizi. Nagira ndababwire y'uko icaha ntikigira poritike. Uwuzi ko afungiwe poritike, ubu nyene azoce anyandikira ikete ambwire neza iyo politike afungiwe nanje nzoca ndaba mu gitabu mpanavyaha yuko ari politike afungiwe canke afungiwe icaha.

7. Hariho abantu batazi gutandukanya ibintu canke babikora nkana. Hariho umuntu agenda agakomeretsa umuntu. Kubera ari mu mugambwe munaka, umukuru w'umugambwe agaca agenda ngo umuntu wanje arapfunzwe apfungiwe politike. Ya hehe ? Apfunzwe kuko

yakomerekeje umuntu ntapfunzwe kuko ari umunywanyi w'umugambwe munaka. Kuko hariho abakunda kuza baravyitwaza ngo mfungiwe politike. Umumenyeshamakuru ugasanga akoze ikibi ngo mfungiwe ubumenyeshamakuru. Si vyo ! Umumenyeshamakuru azoba afunzwe azira ko ari umumenyeshamakuru arazoca anyandikira ikete ubwo nyene azoca asohoka. Mugabo ukaba wakoze icaha, bati wakoze iki caha gihanwa n'itegeko iri, ntusubira kuvuga ngo uri umumenyeshamakuru, ntusubira kuvuga ngo ndi umunyamugambwe, ntusubira kuvuga ubwoko, ntusubira kuvuga intara, ntusubira kuvuga umuryango. Ubwoko bwawe ni ico caha kikwagira.

8. Mu Burundi hariho abantu bashobora kuvuga ngo nzokwica umuntu, ngo mugabo ndazi yuko umugambwe wanje uzoca utonda nce nigayagayira. Ngo ndazi ko ndi muri société civile nzokora icaha, sociétés civiles zose zice zigira imyiyerekano nce ndekurwa. Nagira ndababwire mu bintu vya mbere Reta yiyemeje, Reta mvyeyi, nuko ata caha kizokorwa ngo cijane, uba mu mugambwe utaba mu mugambwe, ico uri cose, wewe uhanirwa ico caha wakoze. Ivyo abantu bategerezwa kuvyumva.

9. Nagira ndababwire igituma Reta itanezererwa no gupfunga. Burya kuja mu munyororo ni uruhombo rukomeye ku gihugu, kuko ubwa mbere turahomvye umukozi, yariko arakorera igihugu, yiteze imbere, ateze imbere umuryango none turamuhomvye. Burya abakora ivyaha, badashoboye gukora ni bake. Abakora ivyaha benshi babikora kubera bariko barakora, baba bafise ingoga zo gukora. None hari umuntu ari mu bitaro arakora ikosa ga yemwe ? Urumva rero tuba duhomvye umukozi. Reta mvyeyi itegerezwa kurira ko umukozi wayo tumuhomvye.

10. Ica kabiri gituma Reta ibabara, ni umuzigo ukomeye. Kuko wewe wahora uri uwo gukorera igihugu none uciye uba uwo gufashwa. Uciye uba ntahonikora. Reta igaca yikorera uwo mutwaro. Ni co gituma burya hariho inzego z'umutekano ziguma zamama kugira ngo ivyaha ntibikorwe. Harya abapolisi nta kindi bakora, barondera ko ata vyaha vyokorwa. Hariho urwego rw'iperereza, urwo rwego uzosanga abarundi bose barwanka. Mugabo abantu ba mbere barwanka ni inkozi z'ikibi. Kuko araraba akavuga ati ngakora ikibi barampana. Barya bantu bajejwe kuguma baraba ngo ntihagire uwukora ikibi. Uti none ko jewe nipfuza gukora ikibi ngire gute ? Ugaca utangura rero ukabambika ibara, ukabacafuza kugira ngo ni wakora ikibi bakagufata, uce uvuga ngo sinari nababwiye.

11. Harya umuntu wa mbere yankwa ni umupolisi. Mwa bapolisi mwe mube muvyumva. Mwebwe muri abantu bambere bankwa. Kubera iki mwankwa? Muhanganye n'umwansi atambaye umwambaro. Ntagira

uniformes, mwebwe namwe mwambaye uniformes. Ni ukuvuga wewe asanzwe afise ikibi mu mutima ariko ategura gukora, akakuraba akakubonamwo umwansi kuko ugira umubuze gukora ca caha. Agatangura kuvuga ati ninaja kwiba rurya rupolisi ruramfata. Agaca araba ati reka mbwire abarundi bose yuko umupolisi ari mubi kugira ngo niyamfata nzoce mvuga nti ntubona bimwe navuga. Ngo sinari navuze ko ari babi, raba ivyo ariko arakora.

12. Abapolisi rero mwebwe abansi muhanganye ntibambaye umwambaro, bari ngaho bo bakakwitegurira, wewe utamwiteguriye. Ni co gituma rero baguma babacafuza. Ariko rero nagira ndababwire, ivyo nyene babankira bikore kuko ni co cabazanye. Inkozi z'ikibi ni umuzigo Reta iba yikoreye.

13. Kuba ntahonikora wari umuntu wari ushoboye : umuryango wirirwa uraturatura, umuryango urara ntibuca, umuryango uguma mu myitwarariko, kugemura, baca bakena. Ni uruhombo rukomeye cane. Ndibuka ingene abarundi ba Repuburika ya kabiri yakura ikori. Umugabo yitwa umugabo baramufata atatanze ikori bakaja kumufunga. Hanyuma umugore akama agemuye, kubera babuze amahera yo gutanga ikori ry'umutwe. Kw'iradiyo ni ho bakunda kuvuga, hariho agakino bakina, bagaca babaza bati none ga mupfaso ! Ngo uranezerejwe n'intwaro ya Repuburika ya kabiri ? Ngo ego ndagahanwa n'Imana ! Ngo none wa mutsima nahora ndamugemurira kw'ikomine sinaruhutse ! Ikori ry'umutwe ryari ribi !

14. Rero intumbero ya Reta ni ukurwanya icaha kugira ngo igabishe. Umusi umuntu yokora icaha bakamureka, uwundi agakora icaha, ntumuhana uca utinya kuko uwa mbere utamuhanye, gushika aho icaha gifutwa, ibara riba riguye mu gihugu. Kurwanya kudahana ni co kintu ca mbere gikomeye.

15. Ndanezerwa cane nshimira inzego z'ubutungane uno musi kubera ubu ntizikiraba umugambwe, canke ubwoko canke intara, ubu uwo ari we wese akoze icaha arahanwa. Kandi narabonye yuko hariho abatanguye gutinya icaha, cane cane abarya ibiturire n'abasesagura itunga ry'igihugu. Batanguye kubona ko ubu ata vyo kugira ngo barakuraba uwo uri we. Uba umenje kuko uba umenjeye igihugu. Ndashima rero kubona inzego z'ubutungane zitanguye kubona yuko ata n'umwe ari hejuru y'amategeko.

16. Ariko nagira nsubire ndabibutse na bo nyene, gupfunga ni inzira idasanzwe. Ku bwa ngingo nta muntu aba akwiye gufungwa kuko nababwiye ni umuzigo. Abacamanza ni babimenye, abari mu rwego rw'ubutungane ni babimenye yuko gupfungwa ari exception. Tureke

bimwe vy'ikirundi uriko urakanga umuntu uvuga uti ndagupfunga. Ukorera igihugu nta vy'inzigo bijamwo, ico ni ica mbere. Utwaje inzigo uri umutware kaba kabaye. Hariho ibintu umutware ategerezwa kwitwararika :

- Umutware yitwararika cane cane kutagira inzigo n'ishari.
- Umutware ntashobora gusharika umuntu,
- umutware ntagira urusaku, agize urusaku kaba kabaye. Ivyo bintu birabujijwe ku mutware : inzigo, ishari, n'insaku.
- Ategerezwa kwama yitwararika nk'uko abana ari abiwe kugira ngo ntahave asanga yitaye mu rudubi.

17. None rero ivyo bintu vyo kuvuga ngo ndagupfunga ivyo bintu tubihagarike. Umuntu apfungwe kuko amategeko avuga ati ndaguhora iki. Umuntu agafungwa uvuga uti yagirijwe kimwe, bibiri, bitatu. Hariho abapfungwa ni vyo urubanza rutaracibwa, atarakubitwa intahe mu gahanga. Kubera iki abo ? Baba bavuga bati uyu tukamureka aramara abantu. Uri nk'umwicanyi uburana upfunzwe naho urubanza ruba rutaracibwa kuko bokureka ntawuzi ko udaca umara abantu. Hariho abafata abana ku nguvu, abagore ku nguvu. Urya aburana apfunzwe kuko bomureka yobamara. None uwarinze akora iryo bara ni igiki cerekana ko atazobandanya. Uwo birumvikana. Umusuma yohava abandanya yiba.

18. Birababaje cane ngaha mu Burundi bwacu aho umuntu asigaye yiha inkumbi agaca ahungira mu kindi gihugu bagaca bamwakirana urweze. Ni co gihugu conyene umuntu amenja mu gihugu ashitse mu kindi gihugu bakamwakirana urweze. None Uburundi babuhora iki, Uburundi buzira iki ?

Jewe nsomye mu mategeko nasanze umuntu atembagaje ubutegetsi ni icaha mpuzamakungu. **Responsabilité de l'Etat pour des faits internationalement illicites**. Utembagaje inzego z'igihugu ni icaha mpuzamakungu aho ugiye hose baragufata. Wishe umuntu aho ushitse hose baca bagufata bakagusubiza iwanyu nkuko natwe mu Burundi twama twabikoze. Mugabo twebwe umurundi yishe umuntu, amakungu ngo wagize neza. None bashaka ko bahonya abarundi ? Bakunda bahonya abarundi ? Umuntu iyo akoze ikibi akaja mu kindi gihugu nibamufate. None ko twebwe twirirwa turabafata tukababasubiza. Iyo inkozi z'ikibi zije mu Burundi bakoze ikibi mu bindi bihugu, twebwe twirirwa turabasubiza ! Mugabo bobo uwukoze ikibi mu Burundi baca bamwakirana yose. Ni ukuvuga yuko ni abantu bashigikiye yuko abarundi bahona. Ni ko biba vyitwa. None amakungu yo aragira umwana n'ikinono ?

Nagira ndababwire yuko hariho abantu koko bakwiriye guciribwa imanza bapfunzwe kubera ivyaha baba bakoze. Mugabo hariho uwundi

uvuga uti intahe itaramukubita mu gahanga turazi ntaho aja, ivyo vyo kuvuga ngo ahava ahunga, aho agiye hose bomufata.

Nyakwubahwa Mushikiranganji, ngira mubitinya kubera inkozi z'ikibi zishitse mu bindi bihugu zidafatwa ? Ni co gituma mubitinya. Mugabo tuzoteba dusabe ibihugu bitwumve yuko umuntu akoze ikibi mu Burundi aho azoja hose bamufate. Bariko baha impigi abicanyi. None avuze ati amakungu aranshigikiye none yobuzwa n'iki kwica kandi afise aho ahungira. Ngira ni co gituma abacamanza b'iwacu baca bavuga bati burana upfunzwe kuko wohava uhunga, kuko uhunze birazwi yuko batadusubizwa. Ni co gituma, twebwe Reta y'Uburundi tugerageza uburyo bwose gukingira abarundi n'iyo duca imanza tuzica mu buntu nta nzigo. Ni co gituma nguma mpimiriza, nta gucisha imanza n'inzigo.

19. Hariho ikindi caha burya gikomeye. Harya kunyonora itunga ry'igihugu ni ikintu gikomeye. Ni ukumenja. Mwebwe murazi umuntu akuragije ikintu ugaca uba ari wewe nyene uca ucica ? Bakuragije itunga rya Reta bati uze urikoreshe uku n'uku n'uku ku neza aya bose. Ugaca ufata, ugaca ubinyonora, ushira mu mufuko iwawe. Hari ukumenja kuruta uko ? Mu misi iza ukoze icaha nk'ico kugirirwa ikigongwe bizomugora. Hariho abahora biba bagaca bavuga ngo nzopfungwa ngo nce ndayarya mvuyeyo. Nagira ndababwire ivyo vyaraheze. Tuzobanza kugarura amafaranga yacu imbere yuko ugenda. Amahera yacu tubanza kuyabona aha! ni ay'abenegihugu. Utayazanye tugurishe inzu yawe tuyirihe. Ukaba umwungere ugaca uba umucangero? Ntushobora kuba umwungere ngo uce wica izo uragiye. Ugaca ufata ubwatsi bwose ukaba ari wewe ubwirira wari wajanye intama. Nagira woryoherwa intama zariye.

20. Kandi aho rero ndiko ndakebura mwebwe ndongozi kuko hariho abahora baronka amabanga nkababwira nti wewe ugiye muri couloir de la tentation. Muhora mwumva umuntu bamuhaye amabanga igisata agiyemwo ukaja wumva ngo uragiye mu bufu, ngo niwabura ico wimarira ngo ntuze undondere. Ngo mbere n'akabare tugiye guhindura ubu, tuje heza. Urumva abagenzi bawe ni bo bakwigisha kuja kwiba. Inyosha mbi indongozi ni zize zirazigirwa kure kuko icaha co kurya igiturire mu bo woragiye, icaha co kwiba ivyo wokoresheje ku benegihugu ntaho bitaniye no kumenja.

21. Mu bisanzwe rero abakora ivyaha vy'ubwicanyi, abahungabanya umutekano w'igihugu, abafata ku nguvu abakenyezi, abarya ibiturire, abanyonora itunga ry'igihugu mu bisanzwe bari bakwiye kuba ibicibwa mu gihugu. Ku bwa ngingo bari bakwiye kuba ibicibwa mu gihugu Mugabo kubera igihugu ari umuryango, ni co gituma baza barabiga bati wisubiyeko, ubona ufise umutima wo kuba umuntu ? Hanyuma bakakugirira ikigongwe. Abarundi tuguma dufise ivyizigiro ko ata muntu

aherayo, umuntu arakira. Ni co gituma mu Burundi bakuye igihano co gupfa. Tuguma dufise ivyizigiro yuko umuntu akira, ariko birababaje. Hariho umuntu aronka ikigongwe agaca asubira gukora ico caha nyene yapfungiwe. Mu misi iheze vyarabaye, abantu bari bagiye mu myiyerekano yo mu 2015, Reta ibumvira ikigongwe iti ibi ni ivyo basutswemwo n'abanyepolitike ni mwitahire, nta mezi abiri arahera basubiye kwica abantu. Bategereye imodoka ngaho haruguru mw'i Jenda kandi bari bararekuwe. Murumva ivyo bintu biratesha ivyizigiro ku benegihugu.

22. Ni co gituma imbere yuko mperaheza nagomba kubanza gutanga impanuro, cane cane kuri mwebwe murekuwe, mwagiriwe ikigongwe, ndetse no kubataciye bataha kuko baragiye mu vyizigiro. Numvise aba ba mama bavuze bati natwe muratwibuka, burya ukazobona mugenzawe aronse ibakwe akaronka akantu, nawe uca uronka ivyizigiro ko nawe uzoronka. Ni co gituma nkunda kubwira abantu nti ntuze ubone mwenewanyu atunze ngo ugire inzigo. Imana imuhaye vyerekana ko nawe inzira yo kuronka iriho. None namwe nagira ndabaremeshe abasigaye, aba bavuyemwo ni bibabere ivyizigiro, ni mwigenze neza gushika aho tuzovuga duti amabohero yose yo mu Burundi harimwo intore gusa. Hanyuma duce tuvuga duti none izo ntore kubera iki ziguma ari umuzigo ku gihugu kandi zoshobora kugiteza imbere. Izo ntore zize zumva tuvuze duti nimwitahire bizogenda neza.

23. Nagomba ndabasabe, ni baba abaraba amabohero ari ibinebwe murazobasunika babereke ibikorwa mukora. Kuko uko muzoza murakora ni ko tuzobona ko mufise ubuntu. Erega mutagiye ahabona none tuzomenya gute ko muri abantu ? Mugabo uko muzoza murakora ibikorwa mwimbura, tukabona muriko murigaburira tuzobona duti ba bantu barabaye abantu. Uwundi musi umwe muze mwumva habaye ingingo ivuga iti abigenjeje neza bose nimwitahire tuzobarerera mu gihugu muriko murakorera igihugu. Ni co bavuga bati Ubugabo burihabwa. Nagira ndabaremeshe rero ko inzira yuguruye. Nibaza ko ari ubwa mbere hagiriwe ikigongwe abafungwa bangana n'iki gitigiri mu Burundi. Ni ibice binini kw'ijana. Rero ni bibabere ivyizigiro.

24. Mwebwe namwe mugiye, muhe icizere ababanyi, bumve ko ari umuntu atashe. Mubereke ko ubu ari mwebwe musigaye muri intungane kubarusha mbere. Mushikeyo, ntimusubire mu caha ahubwo abe ari mwebwe muhanura abariko biyumvira kuja mu caha, mubabwire muti ntiharyoshe. Namwe muraza muravuga muti n'abariyo baragowe sinzosubirayo. Mube akarorero mu bikorwa iyo mushitse, mwari mukumbuye gukora. Mwagiye abarundi batarava hasi bacicaye, bari inderamaboko, none ubu muza gusanga bose bari ku kivi. Ntimubasamaze ngo mubateshe umwanya ahubwo mushike mwinagura

mubabere akarorero mu gukora. Mube akarorero mu gukunda igihugu kuko ngo ugutwi kw'impene kwumva kwokeje. Mwebwe mwaravyumvise, ni co gituma mwoba akarorero mu gukunda igihugu kugira ngo ntimusubire kugwa mu rudubi. Hariho abagiye Uburundi bukiri nk'igisaka, muja gushika iwanyu musanga ari mu gisagara. Uko Uburundi bwasa mu 2005 si ko busa, bwarahindutse. Murabizi iyo wahora mu muzimiza ukaja mu muco ubanza guhumaguza. Aho buca mushikira mu mihana iwanyu mukanure ntimugume muhumaguza gusa kuko muzosanga ivyahindutse ari vyinshi mu gihugu.

25. Nkaba rero nsaba abenegihugu na bo kubakira. Babashikize muri ya makoperative yabo kugira ngo ntimushike mubakenesha. Kuko ubu twebwe duharura yuko umukene ni we atuma tugira ingorane. Umuntu adakora atuma tugira ingorane kuko duca tumugaburira mu vyacu. Kubera iki na we atorya mu vyo yirondereye ? Rero abenegihugu ndabasavye bashike babashira mu makoperative, babanze, babaremeshe, bababwire bati turi abagenzi. Mu mitumba bazoshikamwo bazovuge bati wa mujama wacu yaje. Bagire umusi mukuru. Ntibavuge ngo wa wundi yagira ibi n'ibi n'ibi ngo yaje, harya baba babakomerekeje na bo, kuko namwe vyarabakomerekeje. Ahubwo ni bavuge bati wa muntu wacu, wa mujama yaje, reka ahubwo tumwakire. Mbere n'agahene bashaka bakabage babazimane.

26. Abajejwe inzego z'ubutungane, murazi na jewe yuko Ibwirizwanshingiro rimpa uburenganzira ko ndi umucamanza kizigenza, nagira ndabemerere twese tuje hamwe abacamanza dutangure kugira **intwaro ibereye mu butungane**. Mwarabonye yuko iyi ngingo yafashwe ko nayivuze imyaka, mugabo bidutwara umwanya munini kugira ngo dutunganye neza ibitigiri, tumenye abo ari bo. Ni kubera iki ? Kubera twasanze abantu ntibakurikiranwa kuva bagishengezwa, bagikora icaha, n'aho baba bari mu mabohero bagume bakurikiranwa hakoreshejwe ubuhinga bwa none, (digitalisation), gurtyo abafungwa bakurikiranwe neza, ni yo ntwaro ibereye mu butungane, hamwe n'iyo uvuze izina naka, bibe bizwiko amaze ikiringo iki, asigaje ikiringo iki. Ukoze ikosa baryandika, bati uyu muntu yigenza neza canke yigenza nabi. Ico ni ica mbere nosaba mu butungane na cane cane abajejwe igisata kijejwe amabohero. Si n'amabohero gusa, mpere ku nyamiramabi. Umuntu afashwe ni bamenye bati uyu yanditswe. Tukamenya duti uyu yareze, uyu na we bamuciriye igihano iki, apfungiwe ahanaka, azomara ikiringo iki. Aho apfungiwe bimeze gute ? Yigenza neza canke yigenza nabi ? Tubibone gurtyo ni ho bizoza biratworohera ingingo isohotse, n'abantu baba barekuwe. Urazi kumara amezi n'amezi uzi yuko uzorekurwa ! nk'ubu twarahomvye kubera tutagize intwaro ibereye mu butungane. None rero kuva ubu dutangure gukwirikirana ku musi ku musi, hamwe ushatse kumenya ingene abapfungwa bamerewe uca ubibona bidatevye.

27. **Kunyarutsa imanza** : Naho twavuze yuko hariho ababurana bapfunzwe, ntibiryoshe na gatoyi ko umuntu apfungwa umwanya muremure ata rubanza aracirwa. Turipfuza yuko ata muntu yomara amezi arenga atatu apfunzwe ataracirwa urubanza. Erega abacamanza mumenye ko ari umuhamagaro, kurya kw'abihebeye Imana, kurya kw'abasirikare, kuba umucamanza bigira umutima w'ubuntu. Ni co gituma utonezerwa ubona hariho abantu bapfunzwe bataracirwa imanza, utavuga ngo ingingo iyi n'iyi n'iyi ni yo imufashe. Tunyarutse rero imanza. Ukemera ukarara kw'ijoro mugabo uvuga uti abapfunzwe bose uwu yagirizwa iki, intahe yaramukubise mu gahanga. Ico gihe twoca dusanga amazu y'amabohero na yo yatezuriwe mu bitigiri.

28. **Kudapfungira umuntu ubusa** : Ngo **ndagupfunga !** Mbonereho gukebura cane cane mu nyamiramabi. Hariho umuntu aba afitiye umwenda uwundi, agaca abwira umupolisi ngo abakuru bawe ku wa gatandatu no ku wa Mungu si ho bazoba bari, ngo mumfatire umumfungire ngo nzoguhako. Agahengera ku wa mbere abakuru baje agaca amurekura. Ivyo turabizi! Dusaba indongozi mu gipolisi, kwama muca harya ku ma commissariats ku wa gatandatu no ku wa Mungu ico muza murirabira. Hanyuma uwuzoba yagize ivyo ahanwe. Nta gufungira umuntu ubusa! Ntuba ukiri muri Reta mvyeyi rero! Reta ntigira iterabwoba irahana hakurikijwe amategeko.

29. **Kumenya gutandukanya neza uwukwiye kuburana apfunzwe n'uwukwiye kuburana ataha** mukabiraba neza kugira ngo ntituze turikorera uwo muzigo tuwikorerera ubusa. Ivyo ni vyo nohanura abajejwe igisata c'ubutungane.

30. Nagomba ndabamenyeshe yuko iyi ngingo yo gutezurira abapfungwa no kurekura abandi ari ingingo yafashwe bwa kivyeyi. Aha ntihobura uwuvuga ngo nararenze amategeko. None ko Ibwirizwa Nshingiro ribindekurira ! Ikizira, abantu babimenye, nta poritike yigera isubirira ubucamanza. Iyo urubanza rutaracika nta ngingo ya politike n'imwe ikora. Ingingo ya poritike ikora iyo imanza zamaze gucibwa. Rero, iyi ngingo yafashwe ka buvyeyi, ni ukuvuga ntiyafashwe kugira ngo tunezereze aba canke bariya. Iyi ngingo sinayifashe kugirango amakungu adukunde canke atwanke. Ni Reta mvyeyi itegerezwa kumenya ibibereye mu gihugu. Kuko iki gihugu cacu gifise agateka kaco, gifise urubibe rwaco, ni ukuvuga turi umuryango ngaha, ni twebwe dutegerezwa kumenya ukuntu tubungabungana muri uyu muryango wacu. Ntiturinda rero kuvuga ngo inyuma y'urugo bimeze uku. Noneho muranabizi ngo ingeso y'urugo ntiyubaka urundi. Nagira ngo rero menyeshe nti iyi ngingo ni ingingo ya buvyeyi kandi ubuvyeyi ntibuhera buzokwamaho. Ni co gituma nijeje n'abasigaye nti ubwo

buvyeyi nta ho buroye, haguma Reta mvyeyi, tuguma tuza turasuzuma inyifato mufise.

31. Nagira ndababwire harya kuri ririya tegeko twarasizeho akantu yuko umwe wese afise uburenganzira bwo kwandika ikete akavuga ati jewe ndavye ririya tegeko, aha hantu jewe ntimwanshizemwo kandi nari ndabikwiye. Muravyemerewe. Nimwarisoma neza mukaraba ugasanga urakwije birya vyanditse muri ririya tegeko ntimuze mutinye guca munyandikira ikete musabe muti jewe burya mwaransimvye nari ndabikwije, ehe raba iki n'iki n'iki. Hanyuma nawe utezurirwe canke urekurwe kuko nababwiye Reta ni mvyeyi ishaka ko abana b'igihugu bose baba bidegemvya. Iyo umuntu ari mu caha abasigaye yoshwa na shetani, gusa tuza turaraba yuko Mutima Mweranda aza aramuvugiramwo ngo abe umuntu.

32. Mu kurangiza rero nshimire ubutungane. Bose baratanguye kubona ko buriko burakora koko nk'igihugu kigengwa n'amategeko. Nkengurukire abaraye kw'ijoro bagwa bavyuka. Emwe iki kintu naragikariyeko rwose kuko nari nkeneye yuko abana b'igihugu mbona bari mu mwidegemvyo. Hanyuma abahinga babijjejwe bakora nk'abantu nanje ngashaka ko bongerako nka gatanu kugira ngo banyarutse. Ndazi ko baraye kw'ijoro umwanya muremure, murumva uwo nakariye arambabarira ni wo mutima wa kivyeyi. Ndabakengurukiye ko mwagamburutse mugaca mukora mukagwiza kabiri ku ngoga mwari mufise. Ndabashimiye cane. Mwagize neza, hako usiba wocererwa. Uwuheraniwe amahera ni we, uno musi arakwishuza n'ishavu ryinshi cane, ngo mbere nopfuma mbona wapfuye, agasubira bukeye, agutuka ! Mugabo naho uhengera haheze umwaka, umusi uyamuhaye uza ubona atwenga. Na mwebwe rero naho twatevye muratubabarira, ibigora bigora umugabo kandi turizeye yuko ku basigaye inyuma bitazosubira guteba mwavyumvise dushaka ko ku musi ku musi twoba tuzi ingene mumeze kugira ngo tuze turafata ingingo bitarinze kugorana cane.

33. None rero mwese murakoze mugire umusi mwiza, abataha na bo muze kugira urugendo rwiza mushike amahoro mu miryango yanyu. Nk'ikimenyetso, reka nsabe Umushikiranganji w'ubutungane ace atubwira amazina ya mbere y'abaca batahuka.